UBUTUMWA BWO GUSOZERA UMWAKA W' 2020 – ISHIRAHAMWE BDA, IHURIRO RY' ABARUNDI BABA MURI AUSTRALIYA

Barundi-Barundikazi baba muri Australiya,Banywanyi b' Ishirahamwe BDA,

1. Hasigaye amasaha make ngo dusozere umwaka w' 2020, twinjire mu mwaka mushasha w' 2021. Mudufashe dushimire Imana Rugiravyose, yo yatuzigamye muri uyumwaka, tukaba tuwurangije turi bazima, tuyisabe kandi ngo izokomeze kuba mu ruhande rwacu, no mumwaka tugiye gutangura, izoduhe i inkomezi zo kurangura neza imirimo twashinzwe.

2. Uyu mwaka turiko turasozera, n' umwaka waranzwe n' Ibiza bitandukanye, twovuga nk' ikiza c' umugera wa corona virus, imiriro yiyadukiza, n' ibindi. N' Ibiza kandi vyaje bica ivutu, bigashira abantu mu mwiheburo,no kutabona hazoza hejo, natwe nk' Abarundi tubaye mu Gihugu ca Australiya ingaruka zavyo twarazibonye. Ariko kandi vyadufunguye amaso, tubona ko Abarundi tuba muri Australiya dukwiye kwitunganya, tugashira imbaraga hamwe kugira twame dufatanye munda kandi dushigikiranye mubihe bigoye bishobora kutugwirira giturumbuka no mubihe vyakazoza.

3. Twaje kubona kandi ko iki ari igihe tugomba gukura amaboko mu mpuzu, tugakora twivuyinyuma, kandi twame na ntaryo twibuka uruhare rwacu, n' intererano dushobora guterera hoba mu kuratira abanyamahanga ubwiza n' akaranga vy' Igihugu dukomokamwo, canke gushigikira imigambi y' iterambere mu gihugu c' amavukiro, eka mbere tutibagiye no gushigikira imiryango itishoboye, umwe umwe wese muvyo ashoboye. Izo rero zikaba ari zimwe mu mvo nyamukuru zatumye twiyumvira gutanguza Ishirahamwe rihuza

abarundi baba muri Australiya (Burundian Diaspora in Australia – BDA).

Barundi-Barundikazi baba muri Australiya,Banywanyi b' Ishirahamwe BDA,

4. Turashimishwa n' intambwe Ishirahamwe rihuza Abarundi baba muri Australia (BDA) rimaze kugeraho kuva ritanguye gukora muri uno mwaka. Ivyo navyo ahanini bikaba ar' ibi bikurikira:

   - Ishirwaho ry' Indongozi ziserukira Diaspora mu Ntara nka zose zigize igihugu ca Australiya (NSW, QLD, SA, VIC, na WA)

   - Kunoganza imigenderanire n' ayandi mashirahamwe asanzwe ahurikiwemwo n' abarundi, yiyemeje guharanira inyungu z' abarundi baba muduce ayo mashirahamwe akoreramwo.

   - Urubuga ngurukanabumenyi (website) rw' abarundi baba muri Australiya '' www.burundinaustralia.org.au '' ruzobaha akaryo ko kumenya amakuru umwanya, kumwanya, kumenya services zitangwa n' ishirahamwe bahurikiyemwo, gushobora kwiyandikisha kuba umunywanyi w' ishirahamwe, kumenyesha no kumenyekanisha imanza z' itegurwa n' abarundi zoba iz' ubugeni, izo kwizihiza amasabukuru y' amavuko, imanza za communotes, n' ibindi kugira uwushaka gutegura urubanza rwiwe azoze abanza kuraba ko atawundi afise urubanza yatunganije mukarere aherereyemwo, kuri ayo magenekerezo nyene.

   - Twararonkejwe kandi, n'igisata ca Leta ya Australiya kijejwe amakori (Australian Taxation Office – ATO) ubushobozi bwo guhagararira, no guha ivyangombwa bikenewe, umuntu wese avyifuza, yatanze intererano yogufasha abatishoboye

mu Burundi, yoba iy' amafaranga canke ibikoresho bitanzwe nk' ingabire, kugira azosubizwe amahera yatanze, canke amahera angana (equivalent) n' ibikoresho vy' Ingabire yatanze muri ca gihe umuntu wese asabwa guharuza amahera yinjijwe n' ayakoreshejwe (Tax Return). Aka kakaba ari akaryo keza Abarundi baba muri Australiya basanzwe bakora ibikorwa vyo gufasha imiryango itishoboye mu Burundi Baronkejwe.

Barundi-Barundikazi baba muri Australiya,Banywanyi b' Ishirahamwe BDA,

5. Uyu mwaka wa 2021 buca dutangura, tuzoshira inguvu mu gukora imigambi itandukanye na cane cane iyi ikurikira:
    - Tuzoshiraho urwego mpanuzwajambo n' urwego ruhagarariye abakenyezi.
    - Tuzotunganya amategeko n' ivyangombwa nkenerwa kugira Abarundi baba muri Australiya bo nyene bashobore kwishiriraho ikigega co gushigikirana no gufatana munda (Social Solidarity Fund) mu kunganira aboba bashikiwe n' ivyago.

6. Mu Kirundi barayamaze ngo ntazibana zidakomana amahembe. Biramaze kwibonekeza ko bishika abantu bakagira ivyo bapfa murubano, hakabura abashingantahe bahagarara hagati. Vyo bigatuma ikibazo cari gito cane kandi cotorewe umuti abantu bicaye hamwe bakaja inama n' ingingo, kirinda kugera mu nzego z' ishinzwe umutekano canke ubutungane. Canke se bikarangira abari ba somambike basigaye barabana ay' akayabu n' imbeba.

    Hazoshirwaho urwego rugizwe n' abashingantahe, n' abapfasoni, binyankamugayo, batari ba ntirumveko, canke

mpemukendamuke,, kugira bumvirize kandi bafashe kumvikanisha abatase, babafashe gusubiza hamwe, aho binaniranye bitabaze izindi nzego.

Barundi-Barundikazi baba muri Australiya,Banywanyi b' Ishirahamwe BDA,

7. Mu kurangiza, twagomba tubamenyeshe ko iyi migambi tugiye gushira imbere, tutoyishoboza hatabayeho interarano yanyu. Tukaba tubasavye kudushigikira no kudufata mu mugongo aho hose bikenewe. Kuko turi kumwe twese, bishoboka.

8. Imana Mushoboravyose ikomeze kubahezagira mu miryango yanyu, maze uyu mwaka wa 2021 uze ubabere umwaka w' amata n' ubuki, amahirwe, iteka no gutekanirwa

   Murakoze

   Kubw' urwego nyobozi rurongoye Ishirahamwe BDA, Ihuriro ry' Abarundi baba muri Australiya.



Septime Akimana
Umuvugizi